Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°825 15 Gitugutu 2024

# « Gende muhamagare abantu bose baze mu bugeni » (Ibikurikira)



3.« Bose ». Ubutumwa bw'abigishwa ba Kristu ku bantu bose hamwe n'umutima nsangizangendo w'Ekleziya imenyesha hose Inkuru Nziza.

Iciyumviro ca gatatu ari naco ca nyuma cerekeye abo ubutumire bw'umwami bwerekeye: «Bose». Nk'uko nabivuze, ako kajambo ngo «bose» ni wo mutima w'ubutumwa. Ntawukumirwa. «Bose».

Ubutumwa bwacu buvuka mu Mushaha wa Kristu We yiyegereza abantu bose.

Uyu munsi kandi, muri ino si yatabaguwe n'amacakubiri n'indyane, Inkuru Nziza ya Kristu ni ijwi ryoroshe kandi rikomeye, rihamagarira abantu guhwana, kumenyana nk'abavukanyi no kunezererwa n'ituze riri mu butandukane. Imana ishaka ko «abantu bose bokira bagashikira ubumenyi bw'ukuri » (Raba 1 Timote 2, 4).

Ntitwibagire na rimwe, ko mu bikorwa vy'ubutumwa bwacu turungikwa

Soma ku Rup. 4

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

# Abavugizi b'inzego za Reta baherutse gutanga umuco ku bibazo vy'abenegihugu



*Abo ni abavugizi: uwuvugira umukuru w'igihugu (hagati), uwuvugira Reta (mu bubamfu bwiwe), n'uwuvugira Sentare Ntahinyuzwa (mu kuryo) bahagatiwe n'abamenyeshamakuru baremesheje ikiganiro.*

Soma ku Rup. 5

## Ibirimwo

- Guhingura umuvinyu mu Burundi birashoboka.....................................7
- Intererano ya COPED mw'iterambere ry'igihugu n'Ekleziya ni ntangere.......................................................................................8
- Rwaruka nimukundire kristu abanagure mube umunyu n'umuco w'isi mu matora yimirije...........................................................9
- Ingene amategeko yubahiriza abana bagirizwa ivyaha...........................10

# Idominika ya mirongo 29: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: *Izaya 53,10-11*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya :

«*Ishaka ry'Umukama rizoranguka*»

Umusuku wiwe, Umukama yashatse kumuvunaguza amagorwa. Ariko, niyitanga akabera abantu incungu, azoramutswa n'abuzukuruza, azoramba; kubera we, ishaka ry'Umukama rizoranguka.

Ayo magorwa yose yabonye azohinduka akanyamuneza, azohimbarwa, aronke ivyo yipfuza vyose. Kubera ko yemeye akababara, iyo ntungane, uwo musavyi wanje azokiza abantu isinzi, azokwiremeka ibicumuro vyabo.

## Igisomwa ca kabiri: *Abahebereyi 4,14-16*

Ivyo dusoma mw'Ikete ryandikiwe Abahebereyi:

«*Ntidutezure kw'ibanga twemeye*»

Ncuti zanje, ko dufise Umuherezankuka mukuru amaze kwinjira mw'ijuru, ari We Yezu Umwana w'Imana, ntidutezure kw'ibanga twemeye.

Erega, ntidufise Umuherezankuka mukuru adashobora kutubabarira kubera intege nke zacu, na we nyene yarageragejwe nkatwe muri vyose ndetse igicumuro.

Nitwegere rero ya ntebe y'umugisha ata co twinona, kugira ngo turonke ikigongwe n'umugisha ngo bidufashe mu gihe gikwiye.

## Inkuru nziza **: Mariko 10,35-45**

**Alleluya! Alleluya!**

*- Umwana w'umuntu yazanywe n'ugukorera abandi n'ukwitangako incungu irokora isinzi ry'abantu.*

**Alleluya!**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Mariko :

«*Umwana w'umuntu yazanywe n'ukwitangako incungu*».

Umusi umwe, Yakobo na Yohani, bene Zebede, baregereye Yezu, bamubarira bati: «Mwigisha, dushaka ko uturonsa ico tugira tugusabe.» Na we ati: «Ico mugomba ko ndabaronsa ni iki?»

Baramwishura bati: «Uradutera iteka twicare umwe iburyo, uwundi ibubamfu bwawe, mu buninahazwa bwawe.» Yezu arabishura ati: «Ntimuzi ico musaba. Mbe mushobora kunywa igikombe nza kunywa, n'uguhabwa ibatisimu nza guhabwa?» Na bo bati: «Turabishobora.»
Yezu na we ati: «Igikombe nza kunywa muzokinywa, kandi muzohabwa ibatisimu nza guhabwa, ariko ukwicara iburyo canke ibubamfu bwanje si je ndabitanga, ni ivy'ababiteguriwe.» Bamwe cumi bavyumvise, baja mu vy'ugushavurira Yakobo na Yohani. Yezu arabahamagara, arababarira ati:

«Ni ivyo muzi, abatwara ibihugu barazi kwerekana ko bategeka, abakuru barumvisha ububasha bwabo. Muri mwebwe, si ko vyogenda: uwushaka kuba mukuru muri mwebwe arabanza riho abe umusuku wanyu, na we uwushaka kuba uwa mbere muri mwebwe arabanza abe umuja wa mwese.
Kanatsinda, Umwana w'umuntu ntiyaje ngo akorerwe, yazanywe n'ugukorera abandi n'ukwitangako incungu irokora isinzi ry'abantu.»

# Ikirimba c'Umwamikazi w'Amizero i Mutumba muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura kirakwije imyaka 60 gihezagiwe

Ikirimba c'Umwamikazi w'Amizero kiri i Mutumba muri Diyozeze nkuru ya BUJUMBURA kirakwije imyaka 60 gihezagiwe

***Muti none ico kirimba cabonetse gute ?***

Vyose vyatanguriye mu mutima wa Nyakubahwa Musenyeri Mikaheli NTUYAHAGA umusenyeri wa mbere w'umurundi yatiwe mw'ibanga ry'ubwepiskopi, mu mwaka w'1959 kugira ngo ayobore Diyoseze ya Bujumbura.

Urukundo uwo mwepiskopi yari afitiye umuvyeyi Bikira Mariya rwamutumye agira inyota n'umwitwarariko mwinshi w'uko abakristu ba diyoseze ayoboye bokwitura Imana baciye ku muvyeyi Bikira Mariya.

Mu mwaka 1960, Musenyeri yarafashe urugendo rwamushikanye i Buraya mu nama yabereye i Munich mu gihugu c'Ubudagi. Maze aboneraho akaryo ko gushika i Schoenstatt ahari agasengero nkaka, ako twita agasengero k'intango.

Yaratangariye cane ico kibanza ceranda na cane cane ingendo nyeranda zibera muri ako

Ibik. urup.4

# Tuzirikane ijambo ry'Imana

«*Umwana w'umuntu yazanywe n'ugukorera abandi n'ukwitangako incungu irokora isinzi ry'abantu*!»

Bavukanyi, bana b'Imana dusangiye urugendo tugana Umuvyeyi wa twese, nitwakirize yompi Ijambo uwo Muvyeyi atuyagiye ngo asubire atwibutse ukwitangira abandi ngo baronke ubuzima.

Nkako, ntako atagira ngo atwigishe kumutegera duheze dutegere natwe inyifato ibereye, We Bwitonzi nyabwo. Uyu musi atwibutsa ukwitangira abandi, gutyo umuntu akaba atunze bishemeye. Tubizirikane twisunze ano majambo yiwe.

Yezu ati: «Umwana w'umuntu ntiyaje ngo akorerwe, yazanywe n'ugukorera abandi n'ukwitangako incungu irokora isinzi ry'abantu!» Vyumvikana ko ari We rugero nyarwo mu gukora no mu kwitanga.

Ivyo ni vyo igisomwa ca mbere catwibukije, aho umuhanuzi Izaya yabûra ko umusuku w'Umukama azobona amakuba menshi, mbere amuvunagure yitanga ngo abere abantu incungu. Gutyo ishaka ry'Umukama rikaranguka. Iryo shaka ni ugukiza abantu, abemeye uyo musuku w'Umukama ngo ababere akarorero bakurikiza mu buzima.

Burya rero amagorwa ya Yezu ni kirumara, cane mu buzima bw'abantu isinzi. Yaremeye arababara, arabambwa ku musaraba azira twebwe, azira ububegito bw'abantu, ibicumuro vyacu.

Izaya akabituyagira mu buryo bukomeye aho agira ati: «We yasogoswe kubera ububisha bwacu, asyokorwa kubera ivyaha vyacu. Igihano kituzanira amahoro caguye kuri we, inguma ziwe ni zo zadukijije!» (Iz.53,5).

Ni aha rero Yezu atwumvisha ko ari co camuzanye, kandi ko yashikanye aho yitanga ku bwacu.

Izi mvukane rero zibiri zisaba kwicara umwe i buryo, uwundi ibubamfu, ntibaramenya ico basaba kuko amagorwa n'urupfu vya Yezu ntibarabibona. Ni aha Yezu, Umukama, abibabwiye ababaza ko bashobora kunywa kw'ikarisi aza kunywa be n'uguhabwa ibatisimu aza guhabwa. Barundi baravyemera.

Yezu mu bwitonzi bwiwe ntiyabankiye, ariko kubera ko batarabitegera, ashimye kubahanura, abahimiriza kutifata uko bitari, kuko ibibanza barondera bifise uko umuntu abironka, bivanye n'ukwitanga ngo abantu bakire.

Bitwereke rero ko ugutegera neza ukwitanga kwa Yezu ari ngombwa kuri umw'umwe wese mu bamwemera kugira ngo ntavyitiranye no kwinezerereza gusa. Nyabuna bitwigishe kandi bitwibutse ikintu gikomeye.

Mu buzima bwacu dutegerezwa kwihweza amagorwa ya Yezu, maze tugategera ukwitanga kwiwe ngo ishaka ry'Umukama ryo gukiza abantu isinzi riranguke, rishike.

Erega ico Data ashaka ni uko «uwubonye Mwana, akamwemera, aronka ubuzima budahera, nawe nyene akazomuzura ku musi w'imperuka», ni ko Yezu avuga (Yoh.6,40).

Bino birahambaye cane, bavukanyi, kuko iyo tutihweje Mwana ngo atubere urugero rwo gutegera ico Mana Data ashaka bica bitugora mu buzima bwa misi yose.

Abandi batumwa bari bashavuriye bano bavukanyi, kuko bibaza muri bo ko babatwaye iteka. Yamara Yezu arabahamagara akabasigurira neza ico bategerezwa kwigana.

Ni uko uwushaka kuba mukuru abanza guca bugufi agakorera abo ashaka kubera mukuru, agacika umusuku, akitanga ngo ubuzima buboneke, bushoboke, umuntu akire.

Yitangako akarorero kuko atawoza atanga akarorero kuruta ak'iwe. «Uwushaka kuba uwa mbere muri mwebwe arabanza abe umuja wa mwese». Iri jambo ni ryiza cane ku wuryumva.

Mu mibano yacu, mu miryango yacu, turabona abakuru, tubana n'abashaka kuba aba mbere muri vyinshi. Twigireho rero kumenya ko ubukuru nyabwo ari ukwitanga ngo abo turi kumwe bakire.

Ukwitanga, ugukorera abandi bimwe bishemeye, n'aho bitwara ubuzima, ni bwo bukuru nyabwo bukiza. Abaharanira ubukuru bashaka kuvyumvisha ku nguvu abandi. Oya, haba na mba, si uko Yezu abitubwiye.

Ni ugukenyera nyabuna zikaguma, maze tugafatira akarorero ku wadukunze akatwigura. Ni vyo Petero atubwira aho agira ati: «Ico n'ubundi ni co mwahamagariwe, kuko Kristu yababaye ku bwanyu, akabasigarana akarorero, kugira ngo mukurikire inzira yaberetse!» (1Petero 2,21).

Uwabigizemwo amagara make, canke uwo bikigoye, naze yegere umusaserdoti mukuru ari We Yezu Kristu, Mwana w'Imana dufise kandi yamaze kwinjira mw'ijuru amubabarire.

Ariko ko vyama bitunanira kwihweza amagorwa ya Yezu ngo atubere icishimikizo, nimuze twegere ya ntebe y'inema ataco twinona, kugira ngo turonke ikigongwe n'inema zidufasha mu gihe gikwiye.

Iyi mpanuro twakuye mu gisomwa ca kabiri iturongore, itumurikire, ngo ntidutirigane. Umukama natube hafi!

Amen!

***Patiri Noël Ntirandekura***

# « Gende muhamagare abantu bose baze mu bugeni » (Matayo 22, 9)

(Bitangurira ku rup.1

kumenyesha Inkuru Nziza kuri bose, « atari nka kurya yoba ari umuntu ategeka igikorwa gishasha, ariko nk'umuntu asangira akanyamuneza, yerekana ihangiro ryiza, atanga inzimano ihurumbirwa »

Abigishwa-batumwa ba Kristu bamana igihe cose umwitwarariko w'abantu bose, haba mu vyo babayemyo canke bagenderamwo.

Umugani w'ubugeni utubwira ko ku bw'itegeko ry'umwami, abasuku baciye begeranya « abo babonye bose, ababi n'abeza» (Raba Matayo 22, 10), cane cane, « abakene, abamugaye, impumyi n'abacumbagira» (Raba Luka 14, 21), bisigura ko abanyuma n' abakumirwa mu kibano ari bo batumire bahambaye b'umwami.

Inzimano y'ubugeni bw'umuhungu wiwe Imana yateguye, iguma itegekanirijwe imisi yose abantu bose kuko urukundo rwayo ku muntu uwo ariwe wese ari runini kandi ataco rurinda gusaba. « kuko Imana yarakunze isi gushika aho itanga umwana wayo w'ikinege, kugira ngo uwumwemeye wese ntatakare ariko aronke ubuzima budahera» (Raba Yohani 3, 16).

Uwo ariwe wese yaba umugabo canke umugore niwe ubutumire bw'Imana bwerekeye ngo basangire inema ihindura kandi ikiza.

Igikenewe ni ukuvuga «ego» kuri iyo ngabire y'Imana, mu kuyakira no mu kureka ngo uhindurwe na yo mu kwiyambika agahuzu k'ubugeni (Raba Matayo 22, 12).

Ubutumwa kuri bose busaba kwitanga kuri umwe umwe wese. Birasabwa kubandanya iyo nzira yerekeza kuri Ekleziya yose irangwa n'umutima nsangizangendo kugira Inkuru Nziza imenyekane. Gusangira urugendo u-bwavyo ni ubutumwa nk'uko n'ubutumwa bwama ari gusangira urugendo.

Nico gituma haca hibonekeza ko ugufashanya mu butumwa, uyu musi vyihutirwa kandi ko ari nkenerwa muri Ekleziya ikwiye kw'isi yose eka no mu ma Ekleziya ashashe mu ma diyoseze.
Mu ntumbero y'inama ya Vaticano ya kabiri n' iyabo nasubiriye, nsavye ko amadiyoseze yose yo kw'isi yokwitwararika ibikorwa vya Papa vyo bigize uburyo nyamukuru «bwo kunyengetereza mu bakatolika, kuva mu bwana bwabo, umutima w'ubumisiyonari, kandi bituma hegeranywa imfashanyo igenewe ubutumwa, bivanye n'ivyo umwe umwe akenera».

Ni co gituma ivyegeranijwe ku musi mpuzamakungu wahariwe ubutumwa mu ma Ekleziya yose ashashe mu ma diyoseze, bigenewe uko vyakabaye, ikigega rusangi co gufashanya, maze Igikorwa ca Papa co gukwiza hose ukwemera kigaheza kigasabikanya kw'izina rya Papa, cisunze ibikenewe mu butumwa bw'Ekleziya.

Dusabe Umukama ngo atuyobore yongere adufashe kuba Ekleziya irangwa n'umutima nsangizangendo mu butumwa bwayo8 .

Twerekeze amaso ku Muvyeyi wacu Bikira Mariya we yasavye akaronkera igitangaro ca mbere kwa Yezu, abari mu bugeni i Kana mu Bugalile (Raba Yohani 2, 1-12).
Umukama yahaye abageni n'abatumire bose umuvinyu mushasha mwinshi, ikimenyetso-mburizi c'inzimano y'ubugeni Imana itegurira abantu bose mu gihe ca nyuma.

Dusabe, uyu munsi kandi, ubukandizibuvyeyi bwiwe ku butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza burangurwa n'abigishwa ba Kristu.

N'akanyamuneza, n'umwitwarariko nk'Umuvyeyi wacu, n'inguvu z'uburwaneza n'igishika, dushikirize abantu bose ubutumire bw'umwami ariwe Mukiza.

Mariya mweranda Nyenyeri iboneshereza abamenyesha Inkuru Nziza, dusabire!

*Bigiriwe i Roma, ku cicaro citiriwe Yohani Mweranda w'i Laterano, igenekerezo rya 25 nzero 2024, ku musi mukuru w'ihinduka rya Paulo mweranda.*

Papa Fransisko

***Vyahinduwe mu Kirundi n'Ibiro Ndemeshabutumwa bw'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi. (Œuvres Pontificales missionnaires /Burundi)***

# Ikirimba c'Umwamikazi w'Amizero i Mutumba muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura kirakwije imyaka 60 gihezagiwe

(Bitangurira ku rup.2)

gasengero n'ukuntu abakristu bitaho cane ubuzima bw'umutima.

Wenyene yivugiye ati: « Iyo binkundira nari kugaruka mu Burundi nzanye ababikira ba Mariya wa Schoensatt kugirango bubake ikirimba ceranda muri diyoseze yanje. »

Icipfuzo ciwe nyamukuru cari ico kuronka ikibanza co gushengereramwo muri Diyoseze yiwe kuko gushika ico gihe ntahantu ho gushengerera hari bwaboneke muri Diyoseze ya Bujumbura.

Inema yaronkeye muri ako gasengero zamutumye yiyumvira kugenda ku kigo gikuru c'umuryango w'ababikira ba Mariya wa Schoenstatt, kugirango asabe ababikira babiri canke batatu, baze muri Diyoseze yiwe bahubake agasengero, ikibanza co gushengereramwo nk'ico yari ahe-

Ibik. urup.12

# Abavugizi b'inzego za Reta baherutse gutanga umuco ku b'ibazo vy'abenegihugu

Abavugizi b'inzego za Reta baherutse kuremesha ikiganiro aho bishuye ku bibazo vy'abamenyeshamakuru n'abenegihugu mu bisata bitandukanye bigize ubuzima bw'igihugu.

Hari ku wa 11 Gitugu 2024 ku kibuga c'inkino c'i Kabuye komine n'intara ya Bururi.

Ikiganiro c'amasaha nk'uko indinganizo nshasha yaco ibitegekanya, catanguye hakanye cane kuko imvura yari yaraye iragwa, mbere n'amasaha y'uko ikiganiro gitangurirako ntiyari bwahite. Umuvugizi w'umukuru w'igihugu ati «uyu ni umuhezagiro».

Mu gihe ico kiganiro catunganijwe imvura yamaze gutasura mu gihugu cose, Nancy Ninette Mutoni avugira Umukuru w'igihugu c'Uburundi yasavye abarundi cane cane abarimyi gusohora imbuto, kugirango ntibacererwe guteragira kuko igihe ari iki nyene.

Naho yaremesheje abarimyi mw'ijambo yarungikanwe n'Umukuru w'igihugu,abenegihugubagumanye utubazo muri ico gisata. Ibibazo nyamukuru ni ibijanye n'imbuto zisobanuye z'ibigori bivugwa ko zagabanijwe igiciro ariko kw'isoko zikaba zitaboneka, n'aho zibonetse zikaboneka ku giciro kirenze. Hari kandi ikibazo c'abenegihugu barima ikawa none ishitse iki gihe itarashorwa hanze ngo abayirimyi nabo biyuhe akuya.

Kuri ivyo bibazo, Clement Ndikumasabo, umuvugizi w'ubushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi avuga ko Reta atako itariko irakora kugira ngo umwenegihugu yoroherwe.

Ku bijanye n'imbuto z'ibigori, yagize ati: « *Imbuto turiko tuzikura mu gihugu ca Zambiya. Amatoni 400 yaramaze gushika kandi yarahawe abarimyi, ayandi matoni 400 nayo nyene ari mu nzira ariko araza, vuba azoshika aheze atangwe ku barimyi.»*


Clement Ndikumasabo, umuvugizi w'ubushikiranganji bw'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi

Naho mu gisata c'uburimyi biteze izo mbuto ziriko zirava hanze y'igihugu, Clement avugira ubwo bushikiranganji aributsa abarundi ko ak'imuhana kaza imvura ihise. Ati: «Abarundi tuguma tubahimiriza kwijukira no gukunda imbuto zirobanuye z'abarwizambuto b'abarundi kuko nazo zirashobora gukoreshwa kandi zigatanga umwimbu mwiza.

Bisaba gutabira neza imirima yanyu no gukurikiza impanuro zitangwa n'abagenduzi b'indimo.» Ku bokenera izo mbuto, ngo abeneguhugu bokwegera abajejwe ibisata vy'u'uburimyi n'ubworozi mu ntwaro bakabarangira aho bazigurira.

Ku bijanye n'abantu batararonka ifumbire kandi bararishe amafranga asabwa, uwo muvugizi avuga ko habaye akabazo k'igitoro bituma ifumbire adashika neza mu burere bwose bw'uburimyi. ariko ngo kiriko kiratorerwa inyishu.

Mu gisata c'abakozi ba Reta, ngo hari uburyo bushasha bwo gutanga amanota mu bisata bimwe bimwe vy'igihugu bigatera amakenga abakora muri ivyo bisata ko bashobora guharurirwa nabi amanota bigatuma bataronka uburusho bw'agashahara bijanye n'iryo harurwa ry'amanota ku kazi.



Nyandwi Patrice Magnus avugira ubwo bushikiranganji arahumuriza abo bakozi. Ati: «Abakozi bidoga ko bahawe amanota adakwiye n'uko baba bataratahura ingendo nshasha ya Reta y'icitwa «*Contrat de Performance*». Iyo ngendo, yerekana neza ico umuntu ashoboye n'ico yamaze ku kazi. Abatanga amanota rero, barabinonosoye bikwiye, mbere baguma bakarihirizwa ubumenyi muri ico gisata.

Patrice Magnus arongera ati: « Uwarenganijwe nawe haretegekanijwe uburyo bwo gukosora amanota inyuma yo gusigurirwa n'uwamuhaye amanota ubwa mbere. Ubwo buryo nabwo ni ubwo kwitura uwukurira uwamuhaye amanota. Uwo nawe araheza agasubiramwo neza, akaraba ko hatabaye agakosha. Asanze biri ngombwa amanota agakosorwa».

**Biracaza**

**Mélance NDAYIKEZE**

# Isangiramutima, isoko rikomeza ubutumwa, rigashikana ku majambere atarota *(Ibikurikira)*


Foto: Chanel HARINGANJI

*Musenyeri Simoni Ntamwana yahoze arongoye diyoseze nkuru ya Gitega, ariko arashikiriza inyigisho abari baserukiye ishirahamwe Mukama Menyekana*

Ni co gituma twashatse guhurira kuri rino jambo: « Isangiramutima ni ryo soko rikomeza ubutumwa, rigashikana ku majambere atarota».

Mukundire ndababwire ibice bikuru bikuru vy'ico kiyago nipfuza ko dusangira :

1.Turanekeneye isangiramutima muri iri shirahamwe ryacu. Na ririya ryisunga Kristu.

2.Isangiramutima ni ryo ryugurura inzira y'abasangiye ibanga.

3. Isangiramutima ni yo nzira ishikana ku majambere y'igikorwa, cane cane igisa n'ico turimwo, co kumenyesha Umukama wacu.

4. Na ryo ryunganirwa n'ukurekuriranira no gusubiza hamwe na ntaryo.

Tuza gusozera twifatira ingingo yo kwigana isangiramutima ry'Ubutatu bweranda, bwama ari bumwe mu nama ; mw'ijambo ripfunditswe, no mu ndanguro y'inama ishitsweko.

**1. Turakeneye isangiramutima rikomeye kandi ribonekera mu gusabisho no mu bikorwa.**

Abantu bamye bakeneranira. Nyamwigendako ntiyarimye impeshi !!! Umuntu wese agirwa n'uwundi. Agirwa n'umubanyi. Agirwa n'umugenzi baba basangiye umugambi.

Kuva harya mu rugo, gushika no mu yandi mashirahamwe: umuntu arakenera ko abantu baba babiri n'abarenga. Ugufatana mu nda ni intambwe twese dukenera, mu vyo dukora vyose. Ubwo bukene si bumwe bukengereza bene kubwumva no kububona.

Ni iciza twese abantu dukenera, kugira ngo dufashanye kurangura neza ibanga tuba dushinzwe. Ukwo twakirana muri uko gufashanya, ni ko tuba abantu bashitse.

Isangiramutima riri hejuru rwose ya kurya gusangira agacupa. Abantu barashobora guhura, bakaganira, ariko badasangiye inama iri mu mitima yabo. Kenshi mbere, turashobora gutangirwa n'inyifato ibuza isangiramutima vy'ukuri.

Ndashobora gutonda ku gikorwa, kuko mpembwa, canke kuko nironderera inyungu indaba, nk'ukwimenyereza gukora ikintu kinaka birashobora kunjana ahantu, kugira ngo menye ubwo buhinga bakoresha mu gushika ku kantu nahabonye kakampimbara.

Naho abo ndahasanga banyemereye kumvuna umusase, ni amarame. Ndaheza nkagira izindi ntege. Ariko ivyo vyose ntibiba biranshikana kw'isangiramutima mu gikorwa dusangiye.

Isangiramutima ntirijana n'inyungu nshobora gusanga mu mugwi w'abantu bahura, bakungurana ubwenge n'umwete. Iyo nyungu irashobora kuntwara amaguru adakora hasi, ngo nshobore gukorera urugo rwanje, ariko ntakunze vy'ukuri ico ndiko ndakora, be n'abo tugikorana.

Isangiramutima riraruta rwose umutima uhereza ikivi rusangi, mpora mbona aha iwacu. Twari tumenyereye ibiraba ikivi rusangi.

Duhora tubona ingene ari bimwe vya nkorenshimwe, yaguye mw'isemo, ashaka kwita ngo ashobore gukomerwa amashi. Canke rero, bikaba bimwe vya, ncungure umutwe", ahora aza gusangira umurimo n'abandi, kugira ngo akize agatwe.

Rimwe na rimwe, birashoboka kubona abantu baje ku kivi rusangi bafise agatima ko kwitangira abandi: ariko si bo benshi, kandi ntibikunda kuba.

Noneho, mwene ico kivi gitegekwa n'abakuru, kigaherekezwa n'igitsure. Kirasa rwose na ca kindi bacako umugani, bati : «Akazi k'ibwami kica uwicaye » !!!

Gusangira umutima birashaka cane cane umutima wacu nyene: mbanza kwemera, ngakunda ico ngiye gukora. Bisaba nyabuna ukwitangira ico gikorwa, kucigura rwose, cane cane nzi neza ko ata bandi ico gikorwa gihamagara.

Niyemeje ico ngiye gukora, ngatwara mu mutima uwo ngiye kugikorera, nkamenya ko muri ico gikorwa ata kunguko canke akarusho jewe nza gutahana, ndaheza nkita ku rutare, kugira ngo ico gikorwa ciyunguruze.

*Biracaza*

***Chanel HARINGANJI***

# Guhingura umuvinyu mu Burundi birashoboka

Umuryango w'ababikira bisunga Fransisko w'i Asize b'Umugabekazi w'i Monte, hari haheze igihe kitari gito bagerageza gukora ikinyobwa c'umuvinyu uhingurwa mu vyamwa twirimira aha mu Burundi.

***Ico ciyumviro catanguye gute?***

Hari mu mwaka w'1975, ababikira b'abamisiyonali bo muri uwo muryango w'ababikira bisunga Fransisko w'i Asize b'Umugabekazi w'i Monte bari baje bava mu gihugu c'Ubutaliyano baza baje gutanguza uwo muryango aha mu Burundi.

Kubera mu bihugu iwabo bari basanzwe bihingurira bakongera bakihereza ico kinyobwa, bamaze gushika n'aha i wacu, baciye batangura guhingura uwo muvinyu mu ntumbero yo kuwihereza no kuza bararonka ico bazimana abashitsi babagendera.

Vyarabandanije bitera imbere kuko abarundi batari bake bagiye barakihereza barakagomwa gushika n'aho abo babikira babona ko vyoba vyiza bubatse ihinguriro ry'iyaguye kugira borohereze abifuza kwihereza uwo muvinyu.

Niho ku wa 4 Gitugutu 2024, umukuru w'igihugu yari aramutse yugurura icese iryo hinguriro ryitiriwe Fransisko w'i Asize bise «Pace e Bene».

Ijambo Pace e Bene, ni ijambo ry'ururimi rw'igitaliyano risigura «Amahoro n'ineza». Iyo nayo ikaba yari indamutso Frasisko w'i Asize Mweranda yakunda gukoresha.

Nta gikorwa na kimwe kibura intambamyi, Mama Maria Annociata Niyonzima arongoye iryo hinguriro avuga ko zimwe mu ntambamyi zikomeye bagira, harimwo kubura isukari kuko ariyo ifasha cane mu gutarika iyo mivinyu.

Kubera ivyuma bakoresha mu guyiteka imbere y'uko bayitarika, ari ivyuma bikoreshwa n'umuyagankuba mwinshi, amenyesha ko iyintambamyi idasanzwe bafise, ari ukubura uwo muyagankuba ukwiye.




*Ibikono bitarikwamwo umuvinyu bifise ubushozi bwo kwakira amalitiro 5000*

Ivyo bigatuma badashobora guteka uwo muvinyu ku rugero bifuza, ikindi n'uko bataba bagikora ibikorwa k'umurindi bari bifuza.

Akavuga ko yari yarituye ababijejwe kugira babaronse icuma gihingura umucanwa (transformateur) kugira bashobore kuronka umuyagankuba ukwiye.

Kubera bakenera ivyamwa vyinshi, bisunze imbono kazoza y'igihugu, bifuza ko abanyagihugu borima, nabo bakabashorera kugira iryo hinguriro rizanire akarusho bose, iterambere risasagare.

*Iryo hinguriro rishobora guhingura ubwoko 4 bw'imivinyu :*

1. Umuvinyu wa mbere uhingurwa mu mavoka
2. Umuvinyu wa kabiri uhingurwa mw'ivangwa ry'ubwoko butandukanye bw'ivyamwa : imicungwe, amapapayi, inanasi, amatunda, imyembe,...
3. Umuvinyu wa gatatu uhingurwa muri pasteke icanze n'amazi atari menshi,
4. Umuvinyu wa kane uhingurwa muri pasteke gusa atanakimwe bavanze. Uwo rero ukaba ariwo bita umuvinyu w'inziramazi, kandi ninawo ufise igiciro cisumbuye gusumba iyo yindi.

Iryo hinguriro rero, rikaba rishobora guhingura amalitiro 5000 mu misi ibiri. Iyo mivinyu nayo ikaba ishobora gutarikwa hagati y'amezi 6 n'imyaka 2.

Kumusi bakaba bashobora kurumya amacupa y'imivinyu arenga 1000. Kugeza ubu mu bubiko bakaba bafise amacupa y'imivinyu arindiriye abayigura agera ku bihumbi 20, ari naco gituma Maria Annociata Niyonzima arongoye iryo hinguriro ahamagarira abadandaza kuza kuyirangura kugira bayegereze abanyagihugu.

Tubamenyeshe ko Iryo hinguriro ryubatswe impande ya paruwase Muzinda muri diyoseze Bubanza.




*Inyuma yo gutarukurwa, imivinyu ica ifundikirwa mu macupa, igaca ibikwa mu bubiko bwabigenewe ikiringo c'amezi 6 kugira ishobore kuja kw'isoko*

***Chanel HARINGANJI***

# Intererano ya COPED mw'iterambere ry'igihugu n'Ekleziya ni ntangere



*Abo ni abakozi ba COPED bari kumwe n'abatumire ku musi w'imiryango yuguruye muri COPED*

Ishirahamwe COPED riri mu gahimbare k'imyaka 50 rimaze rivutse. Ku mageneke-rezo ya 3 na 4 Gitugutu 2024, niho hahimbazwa iyo yubile mu Gisagara ca Bujumbura. Ku bakozi ba COPED n'abatumire batandukanye, kabaye akaryo ko kwiginana no kwibukanya intumbero ya COPED n'ibimaze kurangurwa kuva ibayeho.

**Imiryango yuguruye**

Ku wa 3 Gitugu 2024, uburongozi bwa COPED bwari bwatunganije "umugirwa w'imiryango yuguruye."

Patiri Gratien Niyuhire umuyobozi wa COPED ku rwego rw'igihugu, ati: « Mu migenzo y'ikirundi duhurirako n'ibindi bihugu bitari bike, u-wukwugururiye imiryango aba ashatse kukwakira iwe. Ni ikimenyetso kitabesha c'uko muri abagenzi canke c'uko ashakako muba abagenzi.»

Arongera ati: «Uwukugururiye imiryango murayaga, akakuganiriza, mbere akakubwira n'ivyo utari uzi kuri we canke ivyo waruzi agace gusa. Nico gituma uyu musi dushaka ko mwebwe mwaje ngaha mu menya COPED ico ari co n'ico yamaze ».

***COPED yabayeho gute?***

Nk'uko Musenyeri Salvator Niciteretse Umwungere wa diyoseze Katolika ya Bururi yabivuze, COPED (Conseil Pour l'Education et le Développent) yatanguye mu mwaka 1974 itangujwe na Musenyeri Bernard Bududira. Mu ntango, COPED yatanguye nk'ishirahamwe ry'iterambere rya Diyoseze Bururi.

Ku wa 25 Nyakanga 1989, iryo shirahamwe ryemerewe gukora nk'ishirahamwe ryo ku rwego rw'igihugu ridaharanira inyungu za politike.

Patiri Gratien ati : «Ku vyo COPED imaze gukora kuva ivutse gushika uyu musi, birabereye ko ihimbaza isabukuru y'imyaka 50 »

Nk'uko vyashikirijwe na Musenyeri Salvator, COPED yitaho iterambere ry'umuntu mu mpande zose z'ubuzima. Ati: « Umuntu ni ikiremwa catoneshejwe, gushika aho Kristu yitanga ku musalaba kubera umuntu. Nico gituma COPED yahagurutse kugira ngo itere iteka umuntu yongere imuteze imbere mu mpande zose ».

Kukaba nkako, COPED ikorera mu bisata vyose nkenerwa mw'iterambere ry'umuntu: igisata c'indero, igisata c'amagara y'abantu, imigambi irangurwa mu gukingira ibidukikije, kwigisha ibikorwa vy'iterambere no guhingura ivyimburwa n'ivyo Imana yaremye mu mugambi wo gufungura neza, n'ibindi n'ibindi n'ibindi.

«Kuva mu mwaka w'2000 COPED ishinze icicaro i Bujumbura, iramaze gukora ibitari bike mw'iterambere.» Vyashikirijwe n'umuyobozi mw'ishikira mu biro vy'umukuru w'igisagara ca Bujumbura. N'abandi bose bafashe amajambo, barashingira intahe ibikorwa vya COPED mw'iterambere ry'igihugu.

COPED ihimbaje imyaka 50 ikorera mu gihugu cose. Ifise ivyicaro mu ntara 13, ikoresha abakozi barenga 200.

Muri kino gihe, ifise imigambi 12 iriko irangura mu bisata 5 arivyo: amagara y'abantu, gufungura neza, indero mu mashule, ibidukikije n'ubushakashatsi.

**Mélance NDAYIKEZE**

# Rwaruka nimukundire kristu abanagure mube umunyu n'umuco w'isi mu matora yimirije.

Yisunze ijambo ry'Imana (Abanyaroma 12, 12) ngo: "Kandi ni mureke gufata imigenzo y'iy'isi, ariko nimuhinduke mukwama munagura ubwenge bwanyu…", Umwungere wa Diyoseze ya Muyinga Nyenicubahiro Musenyeri Yohakimu Ntahondereye yarigishije urwaru-ka rwari rwahuriye mw'ihaniro ryabereye muri Diyoseze ya Ruyigi, afatiye ku ngingo nkuru nkuru zitatu:

1. Ingaruka mbi z'ukwizerako ububasha bw'ineza

2. Ingendo ndangakaranga y'umukristu

3. Inyifato n'ingiro y'urwaruka rukristu mu matora

Mu ntangamarara, umwungere yarahamagariye urwaruka kugira ukwemera. Uko kwemera kugatuma umuntu agumana na Kristu. Uwutagufise nawe agatahira kuba magoyagi.

Nkako tutari kumwe na Yezu Kristu ntaco twishoboza. Uwo Yezu yamana natwe ibihe vyose kiretse tumwirengagije.

Ari kumwe natwe mu vyo tubamwo vyose ndetse igicumuro. Muvyo tubanamwo, harimwo ivyo dusangira n'abandi mu kibano no mu gihugu.

Muri iki gihe naho muvyo dusangiye twese harimwo kumurikira n'ukwemera kwacu, ukwitegurira amatora y'abashingamateka azoca akurikirwa n'ishigwa mu ngiro ry'ibwirizwa rishinga igitigiri gishasha c'intara, amakomine n'amazone, rigashinga n'imbibe zavyo.

Ni co gituma rero atawosiga inyuma ibiganiro n'inyigisho bikaburira urwaruka ukuzirikana ingene rwogendera ukwemera basangiye n'Ekleziya mukuroresha no kuri ayo Matora.

Umwungere yaribukije urwaruka ko ruhamagariwe kwigarura ngo rubeshweho n'ukwemera Yezu Kristu we nkuru nziza y'urukiza.

Uko kwigarura nako akaba ari uguhindura imforo y'umutima n'ubwenge bwacu aho kwizerako twebwe nyene ububasha bwo guheba ivyo bibi no gukora ivyo vyiza tukabuzera kuri Yezu Kristu umukiza w'abantu.

**1. Ingaruka mbi z'ukwizerako ububasha bw'ineza**

Umuntu ntiyikwiye kandi ntaco ashobora kwishoboza ngo gitange icamwa ciza mu gihe atakiranguranye ukwemera: cane cane akagira umwizero ku Mana mushobora vyose.

Nkako iyo abona ko yokwishoboza vyose adafashijwe n'Imana ntahandi ahereza atari :
* guta umwizero ku Mana,
* kubura amahoro n'ubutungane,
* kurwa mu rwanko no mu rupfu n'abadapfuye ku mubiri bakirekurira mu bibi vyica bagenzi babo nabo nyene bakaba barariye gupfa,
* ukurenga amabwirizwa y'Imana (Yeremiya 31,33; Ez 36,25-31);
* kwuzura ubwoko bwose bw'akarenganyo,
* ububeshi,
* kwipfuza amatungo,
* uburyanyi,
* ishari,
* ubwicanyi,
* impari,
* ubugunge n'ubuhemu,
* kubesheranira,
* kwanka Imana,
* gutukana,
* kwishima,
* ubumenabanga,
* ubupfamutima,
* kuba imburakigongwe (Abanyaroma 1,28- 31).

Umwungere yarongeye avuga ko Paulo mweranda yemeje ko kubera igicumuro c'inyanduruko ko atawushobora kurama mugukora ivyiza atari kubwa Yezu Kristu, umukiza wacu.

Turasabwa rero kugendera ubukristu muri vyose ngo uwo kristu abe ariwe adushoboza. Ivyo navyo bikarangukira mu ngendo ndangakaranga ya zina mukristu wese.

**2. Ingendo ndangakaranga y'umukristu**

Umwungere yarababariye ko ikiranga umukristu ari kwemera kwegukira Yezu Kristu gutyo umuntu akagaya uburyo butari bwiza yari abayemwo.

Nico gituma imbere yuko umuntu ahabwa ibatisimu abanza guhakana shetani, akemera Imana butatu bweranda mu nyuma agahereza kwuhagizwa amazi agirako yakira na Mutima Mweranda.

Yisunze ijambo ry'Imana dusanga mu gitabu c'umuhanuzi Izaya yaberetse ko ikiranga umukristu ari uko atanezerezwa no kuguma mu bicumuro. Umuhanuzi Izaya ati: "umubisha ni ahebe inzira yiwe, umunyacaha nawe ahebe ivyiyumviro vyiwe(Iz.55,7)."

Umukristu yemera kubeshwaho na Mutima Mweranda abeshejeho Imana. Ivyo bikamutuma atigera afatira urugero ku migenzo y'isi ahubwo akisunga urugero rwa Yezu Kristu.

Tubifatanije n'ico duhejeje kuzirikana, twovuga ko umukristu w'ukuri ari uwuhinduye imforo, akazera ububasha bwo gukora ineza kuri Yezu Kristu amuha Mutima Mweranda aho kwibwira yuko we nyene ubwiwe abishoboye.

Iyo ngendo rero ndangakaranga y'umukristu niyo zina rwaruka bakwiye kuzogaragaza mu matora.

*Biracaza*

*Patiri Léonidas Ntakarutimana*
*Diyoseze Ruyigi*

# Ingene amategeko yubahiriza abana bagirizwa ivyaha

Nk'uko tubisanga mu ngingo ya mbere y'amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana, ijambo umwana ni izina rihabwa zina kiremwa muntu wese afise imyaka iri musi ya 18, kiretse mu gihe hoba ibwirizwa rimukura muri uwo murwi.

Iyo rero umwana yakoze icaha, arahanwa ariko hariho ingene amategeko yabitunganije, bitandukanye n'ingene abakuze iyo bakoze ivyaha bahanwa.

Mu mategeko yubahiriza abana bagirizwa ivyaha, hariho ayo ku rwego mpuzamakungu, hamwe n'ayo ku rwego rw'ibihugu bivanye n'indinganizo y'amategeko agenga kimwe kimwe cose ukwaco.

**1. Ingene amategeko yo ku rwego mpuzamakungu yubahiriza abana bagirizwa ivyaha.**

Abana bagirizwa ivyaha, hariho amategeko mpuzamakungu atandukanye abubahiriza. Aha twovuga:

* nk' amasezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana,

* amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka n'ukubaho neza kw'abana,

* hamwe n'ingingo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU mu bijanye no gukingira abana bapfunzwe.

*a. Mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana.*

Ingingo ya 37 ivuga ko, n'aho umwana yoba yagirizwa icaha, ategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwiwe bwo kutaborezwa igufa, bwo kudafatwa bunyamaswa, ko mu bihugu bitarakuraho igihano co gupfa ata mwana yocirwa ico gihano, canke ngo acirwe umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwiwe bwose.

Si ivyo gusa bitegerezwa kwubahirizwa dusanga muri iyi ngingo, kuko ibandanya ivuga ko gufatwa canke gupfungwa kw'umwana bitegerezwa kwisunga amategeko aba asanzwe ahari, kandi bigategerezwa kumara igihe gito gishoboka.

Ikindi dusanga muri iyo ngingo n'uko umwana apfunzwe yofatwa runtu kandi akaronka agateka gakwiye zina kiremwa muntu hakurikijwe ivyo abo bangana bakeneye.

Umwana apfunzwe ka-ndi ategerezwa guta-ndu-kanywa n'abakuze ki-retse igihe bijanye n'i-neza yiwe.

Umwana yagirizwa icaha afise uburenganzira bwo kugumana imigenderanire n'umuryango wiwe, mu kwandikiranira canke mu kuramukanya kiretse habaye impamvu zikomeye zibibuza. N'ibi bivugwa muri iyi ngingo ya 37.

Abana bapfunzwe bategerezwa kandi kwubahirizwa mu burenganzira bwabo bwo kuronswa bidatevye abababuranira canke ababafasha mu buryo bundi bukenewe.

Ingingo ya 40 na yo ivuga ko umwana wese yiketswe, yagirijwe icaha gihanwa n'amategeko mpanavyaha, agumana icubahiro n'agateka ka kiremwa muntu bituma arushirizaho gusonera agateka n'ubwigenge bwa zina muntu.

Umwana ategerezwa gupfungwa hisunzwe imyaka afise kandi bakamutegura ingene azosubira kubana neza n'abandi.

Aha duhejeje kubona ingingo ziri mu masezerano mpuzamakungu yubahiriza agateka k'abana zerekana ingene abana bagirizwa ivyaha bubahirizwa.

Reka tubabwire ubu n'aho ingene amasezerano ya Afrika yubahiriza agateka n'ukubaho neza kw'abana, na yo nyene ategekanya ko abana bagirizwa ivyaha babwirizwa kwubahirizwa mu burenganzira bwabo butandukanye.

*b. mu masezerano ya Afrika yubahariza agateka n'ukubaho neza kw'abana.*

Aya masezerano ashimikira cane ku vyerekeye kwubahiriza abana bagirizwa ivyaha mu burenganzira bwabo bwo kudasinzikarizwa ubuzima, kuronswa uwumufasha kuburana no gutandukanywa n'abakuze. Tubisanga mu ngingo ya 17.

Ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano vyiyemeza gukora uko bishoboye kugira ngo umwana yagiriwe n'icaha agapfungwa yubahirizwe mu burenganzira bwiwe bwo kudasinzikarizwa ubuzima, aronswe umushingwamanza, ntapfungirwe hamwe n'abantu bakuze, amenyeshwe ivyo yagirizwa kandi urubanza rwiwe rucibwe mu gihe gito gishoboka.

Kuri aya masezerano mpuzamakungu tudondaguye, ntitwokwirengagiza ingingo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU mu bijanye no gukingira abana bapfunzwe, aho ingingo ya 29 ivuga ko mu mabohero yose, abana bapfunzwe bategerezwa gutandukanywa n'abapfungwa bakuze kiretse iyo ari abo mu muryango wabo canke iyo ari abantu batowe mu buryo bwitondewe kugira bafashanye n'abo bana ibikorwa bidasanzwe bibafitiye akamaro, nko kubigisha imyuga itandukanye, utugenegene n'ibindi.

*Ibikur. urup. 11*

# Ingene amategeko yubahiriza abana bagirizwa ivyaha

(Bitangurira ku rup.10)

Iya 31 na yo ivuga ko abana bapfunzwe bategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwabo bwo kurara mu nyubakwa zisukuwe neza kandi zubatswe mu buryo bwubahiriza agateka ka zina muntu.

Izi ngingo zo muri aya mategeko mpuzamakungu duhejeje kubona, ni izerekana ko ku rwego mpuzamakungu abana bagirizwa ivyaha bubahirizwa mu burenganzira bwabo butandukanye.

Ariko no ku rwego rw'ibihugu bivanye n'ingene amategeko ya kimwe kimwe atunganijwe, abo bana barubahirizwa. Reka turabe ingene aha iwacu mu Burundi bitunganijwe.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi yubahiriza abana bagirizwa ivyaha**

Aha iwacu mu Burundi, abana bagirizwa ivyaha barubahirizwa muri ivyo vyose bafitiye uburenganzira.

Amategeko abubahiriza twovuga nk'Ibwirizwa Shingiro, igitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa, n'iziri mu gitabu c'amategeko mpanavyaha.

*a. Mw'Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi.*

Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi ryarategekanije mu ngingo yaryo ya 46, ko bibujijwe gupfunga umwana kiretse ata kundi vyogenda, naho nyene agapfungwa igihe gito gishoboka.

Bishitse naho akagirizwa icaha agapfungwa, ategerezwa gutandukanywa n'imbohe zirenza imyaka cumi n'itandatu y'amavuka kandi agafatwa mu buryo bukwiranye n'imyaka yiwe.

*b. Mu gitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.*

Ingingo ya 280 ivuga ko, sentare ifise urubanza rw'umwana, itegerezwa gutangurira kw'isuzumwa ry'imyaka yiwe hakoreshejwe uburyo bwose bwemewe n'amategeko, gurtyo umwana akaba yubahirijwe mu burenganzira bwiwe bwo gucirwa urubanza hakurikijwe amategeko akurikizwa mu manza z'abana,ntahave afatirwa ingingo z'umuntu akuze.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko ingingo zishobora gufatirwa abana zitegerezwa kwisunga uburenganzira bwabo bw'ukwiga n'aho boba bapfunzwe.

Ingingo ya 282 ivuga ko umuntu atarashikana imyaka cumi n'umunani ategerezwa gusambishwa hari umushingwamanza, canke uwundi wese azi ingene imanza z'abana zitohozwa n'ingene ziburanishwa, yemewe mu butungane kandi ajejwe gukurikirana dosiye z'abana. Bitabaye birtyo, ayo matohoza aba impfagusa.

Ingingo ya 287 ivuga ko umwana yikekwako icaha gikomeye, ashobora gupfungwa naho urubanza ruba rutaracibwa, ariko agategerezwa gupfungirwa mu kigo kijejwe gutanga inyigisho zituma yisubirako, canke agapfungirwa mw'ibohero ryagenewe abana.

Ingingo ya 296 nayo ivuga ko umwana akurikiranwa ku caha, ategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwiwe bwo kutumvirizwa co kimwe n'abantu bakuze mu ntahe y'icese.

Urubanza rurimwo umwana rutegerezwa kuburanishwa mu mwiherero, agakurikiranwa n'igisata cabigenewe cegamiye sentare nkuru y'igihugu.

*c. Mu gitabu c'amategeko mpanavyaha.*

Iyo sentare iriko iraca ibihano umwana yagiriwe n'icaha, naho nyene biratandakanye n'igihe iriko iracira ibihano umuntu akuze no mu gihe ivyaha vyoba bisa. Hariho ibitegekanijwe n'amategeko bitegere-zwa kwubahirizwa.

Ingingo ya 29 ivuga ko umuntu afise imyaka iri hagati ya 15 na 18 yagiriwe n'icaha, sentare mu kumuhana ica inkoni ngufi, kuko itegerezwa kwubahiriza kamere yo kuba umwana.

Iyo icaha yakoze gihanishwa umunyororo wo gupfungwa ubuzima bwose, umwana ahanishwa umunyororo uri hagati y'imyaka itanu n'imyaka cumi.

Iyo umwana yakoze icaha gikomeye ariko kidahanishwa umunyororo w'ugupfungwa ubuzima bwose ahanishwa umunyororo utarenza imyaka ine.

Mu gusozera, twomenya ko amategeko atandukanye, yaba mpuzamakungu ndetse n'ayo bihugu bitandukanye bivanye n'ingene bitunganijwe yubahiriza abana bagirizwa ivyaha, kuko bahanwa hisunzwe ko ari abana.

Ibihano bahabwa ntibigabanywa mu ntumbero yo kubarera tambuka uza ino canke kura mbone abakwe nk'uko abasokuru bayamaze, a-riko ni mu ntumbero yo kubakebura, kubereka ko umuntu akoze ikoze ikosa ategerezwa guhanwa, ariko na cane cane hagashirwa imbere guhanura umwana mu ntumbero yo kumutegurira ubuzi-ma bwa kazoza abanje gufashwa kwisubirako.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Ikirimba c'Umwamikazi w'Amizero i Mutumba muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura kirakwije imyaka 60 gihezagiwe

(Bitangurira ku rup.4)

jeje kwibonera i Schoensatatt kandi camushitse kunyota. Amaze kuvugana na Mama mukuru w'umuryango ntiyashotse amwemerera ubwo nyene ababikira baza mu Burundi kuko atabona aho yobakura.

Ariko iyo Imana idodoye ku rugi iba ikeneye ko tuyishura, ko tuyugururira.

Nico gituma mama Mukuru w'umuryango n'ivyegera vyiwe bagize inama yo kwiga ico kibazo ca Musenyeri Mikaheri NTUYAHAGA, bashaka kumenya ico Imana ishaka kubabwira iciye kuri we. Bahavuye basaba ababikira bo muri Afrika yepfo kwiga ico kibazo c'Uburundi.

Mu mwaka w'1962 niho ababikira batatu ba Mariya wa Schoensatt bashika mu Burundi muri Paruwase Mutumba, bavuye muri Afrika yepfo.

**Iyubakwa n'ihezagirwa ry'agasengero**

Mu kwezi kwa Ntwarante 1964 niho hashingwa ibuye ry'umushige w'agasengero, hanyuma igikorwa co kwubaka catanguye mu kwezi kwa Rusama muri uyo mwaka nyene.

Kw'igenekerezo rya 20/12/1964 niho agasengero kahezagirwa na nyakubahwa Musenyeri Mikaheri NTUYAHAGA; mu nyigisho yashikirije abakristu uyo musi, yarabasiguriye akamaro k'agasengero yongera arababwira ko Bikira Mariya ari umuvyeyi wacu adukunda kandi adufasha.



Yongera avuga ko ahimbawe n'ukubona muri ako kanya ashobora guhezagira agaserngero k'umuvyeyi Bikira Mariya kugirango kuva muri ico kibanza ceranda akingire Uburundi n'abarundi.

***Izina ry'agasengero n'ubutumwa bwako***

« Amizero » nibwa butumwa bw'agasengero k'i Mutumba.

Turavye muri kahise dusanga agasengero kose ka Schoenstatt gafise izina ryerekana ubutumwa kisangije. Iyo duhaye izina agasengero kandi iyo tuvuze ubutumwa gafise, tuba dushatse kuvuga ko kuva muri ako gasengero, Bikira Mariya ahatangira ubutumwa n'inema dukeneye, kugira ngo dushobore kurangura neza ubutumwa.

None rero ubutumwa n'inema Bikira Mariya atangira mu gasengero k'i Mutumba ni amizero. Ashaka kutugira abatumwa b'amizero.

Ukwizera Imana, ukemera urukundo, ubushobozi n'ikigongwe vyayo, n'ukutinuba abandi, ukabizera, niryo soko ry'akanyamuneza kandi niho turonkera ubutwari bwo kurengera ingorane zitari nke dusanga mu buzima bwa misi yose, tukazigama ukwemera, ukwizigira n'urukundo.

***Ingendo nyeranda mu gasengero k'amizero***

Ingendo nyeranda mu agasengero k'i Mutumba zatanguye kuva kagihezagirwa. Abakristu benshi barakunda kugira ingendo nyeranda.

*Ingendo nyeranda zitegekanijwe mu mwaka i Mutumba*

• Mu kwezi kwa kabiri: Urugendo rweranda rutegurwa n'abakenyezi bavyeyi ba Schönstatt.

• Kw'igenekerezo rya 25 Ntwarante : Urugendo rweranda rwo gusabira ingo zubatse zipfuza ikibondo

• Uw'Imana wa mbere w'ukwezi kwa Rusama: Urugendo rweranda rwugurura ukwezi kwa Bikira Mariya

• Uw'Imana wa nyuma w'ukwezi kwa Rusama : Urugendo rweranda rwo gusozera ukwezi kwa Bikira Mariya

• Ku wa 15 Myandagaro : Urugendo rweranda rwo kwigina umusi mukuru cane w'iyurizwa mw'ijuru rya Bikira Mariya.

• Mu Kwezi kw'icumi : Urugendo rweranda rwo kunagura insezerano y'Urukundo.

Iruhande yizo ngendo nyeranda zisanzwe zitegekanijwe umurwi wose urashobora kwitegekaniriza umusi n'umwanya bashaka kugira urugendo rweranda.

Turatumiye abakristu bose mu rugendo rweranda rwo gukengurukira Imana kuri iyo ngabire y'agakura yaturonkeje : ikirimba c'Umwamikazi w'amizero, ikibanza c'ingendo nyeranda i Mutumba muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura. Urwo rugendo rweranda rutegekanijwe kw'igenekerezo rya 21/12/2024.

**Mama Godeberthe Ndikumana**